Coptic Orthodox Patriarchate
His Holiness Pope Tawadros II
Pope of Alexandria and
Patriarch of the See of St. Mark
The Papal Center

بطريركية الأقباط الأرثوذكس
قداسة البابا الأنبا تواضروس الثاني
بابا الأسكندرية
وبطريرك الكرازة المرقسية
المقر البابوي

222 Ramses St., Abbaseya, Cairo, Egypt
Tel: 024822580 Fax: 0235365880 email: office@popetawadros.org

222 شارع رمسيس ، العباسية ، القاهرة ، مصر
تليفون: 024822580 فاكس: 0235365880

Kirundi - Resurrection 2025

Kw'izina rya Data, n'irya Mwana n'irya Mutima Mweranda, Imana imwe. Amen.

Kristu yazutse, nukuri yazutse.

Ndabakeje mwese kubw'umunsi mukuru uhezagiye w'Izuka, umunsi mukuru udutuma twisonzesha iminsi mirongo itanu n'itanu. Hanyuma tugahimbaza izuka ryeranda mu kiringo c'iminsi mirongo itanu zikurikira, arizo twita iminsi mirongo itanu myeranda..

Mu gihe c'uwo munsi mukuru uhezagiye, duhimbaza igikorwa Imana yadukoreye muri co yaduhaye imihezagiro itatu biciye kw'izuka ryiwe ariyo : Urukundo,Ubuntu n'Isangira. Nivyo tuvuga mw'ijambo rihereza igisabisho ico ari co cose.Urukundo rw'Imana Data, ubuntu bw'Umwana w 'ikinege no gusangira, ingabirano n'ubuntu bwa Mutima Mweranda. Iyo mihezagiro itatu, twayihawe biciye kw'izuka.

Ubwa mbere, Urukundo Imana yadukunze, gushika aho yiyizira ubwayo mw'isi kubw'urukundo adukunda. « Turayikunda kuko yadukunze ubwa mbere" (1 jean 4 :19). Urukundo rwiwe ntirwari urwo ivyiyumviro canke rw'amajambo, canke urwa kure, ariko urukundo rw'ukuri : Jambo yarigize umuntu abana natwe (Yohani 1 :14). Nta kimenyetso c'urukundo gikomeye kiruta kuba hafi y'umukunzi. Nkako, umwe wese muri twebwe yabaye umukunzi w'Imana y'urukundo.

Hanyuma hakurikira Ubuntu bukuru : Ubuntu bw'izuka, bw'imbabazi, bw'ugucungurwa no kwisubirako. Ubwo buntu bwose twaburonkejwe kubw'igikorwa ca Kristu : ukwigira umuntu kwiwe, urupfu rwiwe ku musalaba, hanyuma izuka ryiwe kugirango turonke urukiza. Izuka ni igikorwa co kuvyuka, igikorwa gikomeye kigaragaza ukwitegura n'ubuzima. Niyo mpamvu dutangura kuninahaza tuvuga duti : « Ni muhaguruke, bane b'umuco, dushemeze Umukama Nyeningabo » Abana b'umuco n'abana b'izuka.

Hanyuma hakurikira ugusangira kwa Mutima Mweranda, adukoraniriza twese mw'isengero imwe, ukwemera kumwe,igikorwa kimwe, ukwizera kumwe, n'urukundo rumwe. Tukaba ibihimba vy'umubiri wa Kristu, Kristu nawe akaba umutwe w'uwo mubiri. Mutima Mweranda atugira umwe biciye mu masakaramentu meranda, ibisabisho, ibisomwa hamwe n'ibikorwa vy'impwemu.

Ivyo nivyo : urukundo, ubuntu n'ugusangira. Umupatiri aheraheza igisabisho cose n'ayo majambo, atwibutsa ico Imana umupango w'Imana ku buzima bwacu, biboneka mu bisomwa vya liturujiya bigize umwaka wose wa copte : mu mezi ya Tut na Baba , turiga urukundo rw'Imana, mu mezi indwi akurikira, i Hatoro, Ubuntu bw'umwana w'ikinege, hanyuma mu mezi ya nyuma, ugusangira n'ingabirano za Mutima Mweranda.

Izuka ni inguvu zikomeye.inkuru nziza iravyerekana : abana barabajije umuriro ko woba ariwo uhambaye kuruta ibindi kw'isi. Nawo urabishura uti : « oya, amazi aranzimya. » amazi yavuze ati : « izuba riranshusha » Izuba rivuga riti : « ibicu biramfuka. » igicu cavuze giti : « umuyaga uransunika. » umuyaga wavuze uti : « umusozi uranzibira ». umusozi wavuze uti : « umuntu arambomora ». Umuntu yavuze ati : « urupfu rurantsinda ». urupfu ruvuga ruti : « Kristu arakomeye kundusha, kuko yarantsinze kubw'urupfu rwiwe. »Nkuko umutumwa Pawulo abivuga : « Wa rupfu we umugera wawe uri hehe ? wa mva we intsinzi yawe iri hehe ? » (1 Abakorente 15 :55). Kristu yarapfuye yongera arazuka kugira atsinde urupfu. Kubw'izuka ryiwe, yaduhaye ubuzima budahera. Ndasubiriye kubakeza kubw'uyu munsi mukuru w'izuka ryeranda : abasenyeri bakuru bose, abapadiri, umupadiri mukuru, aba diyakoni,abakozi b'Imana, imiryango ya copte, abana n'imiyabaga mu mpande zose z'isi. Uyu mwaka,twagiriwe ubuntu bwo guhimbariza hamwe , aba kirisu bose bo kw'isi, izuka ku munsi umwe. Kandi ivyo bihuye n'imyaka 1700 y'inama y'i Nise, bafonze Ndemeye : « Nukuri, twemera Imana imwe. » Indamutso zanje ndazerekeje ku masengero yacu yose : muri Amerika yo mu Buraruko n'iyo mu Bumanuko, i Buraya, muri Afurika, muri Aziya, muri Ostraliya, no ku cicaro gikuru i Yeruzalemu. Umunsi mukuru uhezagirwe, izuka ribazurane na Kristu, Umunezero nawo wamane namwe ubuzima bwanyu bwose. Ntitwibagire urukundo, ubuntu no gusangira. Icubahiro n'ubuninahazwa bibe ivy'Imana yacu imyaka idahera. Amen

Pawadra II